IMIKURIRE Y'UMWANA AGEZE K'UMYAKA INE

Abana bakuze neza bafise amagara meza iyo bafise imyaka ine bashobora gukora ibi:

- bashobora gukoresha amajambo atanu canke atandandu,
- bashobora gukurikira nk'ibintu bitatu umweretse ("Kwambara gusokoza umushatsi, kwoza amenyo no kwoza mumaso")
- Kumvikana neza n'abandi bana.

NI IBIHE BIMENYETSO VYEREKANA UMWANA ATAKUZE MURUGERO?

- Ukudakura biturutse n'ukubura uburyo
- Umwana atagaburiwe neza
- umwana adafise amagufa akomeye
- Kugira amaso atabona neza
- Kuguma ufise umutima mubi
- Kuba ufise ibiro birengeye
- Kutumva

NINDE USHOBORA KUBARIRA MUGIHE UBONYE YUKO UMWANA WAWE ATARIKO ARAKURA NEZA NKUKO YAGOMVYE?

Nimba biguteye ivyiyumviro mugihe ubonye yuko umwana atariko arakura neza urashobora kugenda ukavugana na muganga. Uraheza ukurikirane neza umwana umutwara kubi pimo vyose, hamwe n'inkingo.

Ukeneye amakuru menshi ajanye n'imikurire y'umwana wawe genda kuraba kuri interineti:

www.cdc.gov/ncbddd/autism/ActEarly

www.nidcd.gov/health/voice/speechandlanguage

• • •

Aka gatabu kateguwe nimfashanyo z'amakuru aturutse:

National Center for Birth Defects and Developmental Disabilities

Centers for Disease Control

Iyinyandiko yateguwe ifashijwe n'umutungo uvuye mu bushikiranganji bwubuzima hamwe n'ibiro biraba imibereho n'ibiro vy'impunzi zimuwe.

AHO KURONDERERA AMAKURU:
riht@uscridc.org
U.S. Committee for Refugees and Immigrants
1717 Massachusetts Ave., NW
Suite 200
Washington, DC 20036
Telefoni: 202 • 347 • 3507
Fagisi: 202 • 347 • 7177
www.refugees.org

Gukurikirana imikurire y'umwana wawe

(Ikinyejana mukwiyunguruza)

Watching Your Child Grow

(Development Milestones)

(Kirundi)

U.S. COMMITTEE FOR REFUGEES AND IMMIGRANTS

USCRI

www.refugees.org

Protecting Refugees, Serving Immigrants, Upholding Freedom since 1911

GUKURIKIRANA IMIKURIRE Y'UMWANA WAWE

Imyaka y'ambere y'ubuzima bw'umwana wawe ni ingirakamaro kugira ngo bakure bakomeye, bafise akanyamuneza kandi babana neza n'abandi. Ibi vyitwa imikurire myiza y'umwana. . Hariho inzego nyinshi umwana akuriramwo abavyeyi bashobora gukurikirana kugira ngo barabe ukungene umwana agenda akura. Muri Amerika, abavyeyi basabwa kuguma bacunga imikurire y'umwana ingene ubwonko bwiwe bukura, amaso, amatwi eka bakamenya yuko hoba hariho akantu n'agatoyi kerekana ko afise ingorane.

N'IBIKI NTEGEREZWA KUBONA VYEREKEYE IMIKURIRE Y"UMWANA WANJE?

Abana bose ntabwo bakura kimwe. Umwana wese akura ukwiwe, kandi umwana wawe arashobora gukura akerekana imikurire myiza mbere y'abandi bana banganya imyaka. Aka kanyamakuru n'ako kukwereka muri make kakagufasha kw'umva imikurire y'umwana hamwe no kumenya ivyo uzobaza muganga w'umwana wawe mugihe ugize ibibazo. Ngibi ibimenyetso bimwe na bimwe umuvyeyi abwirizwa kuraba mugihe umwana ariko arakura.

IMIKURIRE Y'UMWANA KUMEZI INDWI

guhindukiza umutwe mugihe uhamagaye izina,

- gutwengera umuntu iyo amutwengesheje,
- kuvuza akaruru yumvise akagasubiramwo,
- agakunda gukina n'abandi,
- gushobora gufata n'intoki ziwe wenyene agakinisho,
- Gukurikiza amaso ibintu biciye imbere yiwe/amatara aciye imbere y'amaso yabo.
- Gukurikiza amaso ibintu biciye imbere yiwe/amatara aciye imbere y'amaso yabo.

IMIKURIRE Y'UMWANA AGEZE K'UMWAKA

Abana bakuze neza bafise amagara meza iyo bafise umwaka bashobora gukora ibi:

- gukoresha ibimenyesto (kuduza akaboko asezera),
- kuvuza akaruru,
- kw'igana ivyo abandi bakoze mugihe ariko arakina (gukoma mu mashi) hamwe
- no kwishura iyo umubariye ngo "oya".

IMIKURIRE Y'UMWANA AGEZE K'UMWAKA N'IGICE

Umwana akuranye amagara meza k'umwaka umwe n'igice aba akora ibi:

- arikinisha wenyene (akavugira nko kugakinisho ka telefoni)
- gutunga agatoki kukintu yoba yipfuza kuronka
- gukurikiza amaso kukintu umweretse hanyuma uka vuga ngo "raba", hanyuma
- Agakoresha amajambo menshi wenyene

IMIKURIRE Y'UMWANA AGEZE K'UMYAKA IBIRI

Abana bakuze neza bafise amagara meza iyo bafise k'umyaka ibiri bashobora gukora ibi:

- kuvuga amajambo abiri,
- gukurikira ivyo umubariye,
- aba ageze mugihe co gushaka kwegera abandi bana, kandi
- Agatunga agatoki kubintu canke amasanamu iyo uvuze ivyarivyo.

IMIKURIRE Y'UMWANA AGEZE K'UMYAKA ITATU

Abana bakuze neza bafise amagara meza iyo bafise imyaka itatu bashobora gukora ibi:

- gusoma canke guhobera abandi bana
- kuvuga amajambo abiri,
- kw'igana abantu bakuze n'abo bariko barakina, kandi
- Abo bariko barakina hamwe aba ari udukinisho dusa n'abana, udukoko, hamwe n'abantu.